LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "


# BULLETIN HEBDOMADAIRE

# "Iteka n'Ijambo"

Uwo uri wese ubahirizwa

***N°533 Co kuva kuwa 06 gushika kuwa 12Mukakaro 2026***

**Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero 530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991**






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 12 Mukakaro2026, abantu bashika 876babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 789 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi ako-rana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

**IBIRIMWO**

*0. INTANGAMARARA.....5*


*I. UMWIHWEZO.....5*

*II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE.....12*

*III. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI.....15*

*IV. UGUSOZERA N'IBISABWA.....15*

INDINGANIZO NSHASHA Y'INTWARO KUVA KUWA 16 NTWARANTE 2023



# *IMPFUNYAPFUNYO*

**CDS** : Ikigo kijejwe ubuvuzi

**CECI** : Umugwi wigenga utegura amatora muri komine

**CEPI** : Umugwi wigenga utegura amatora mu ntara

**CNDD-FDD** : *Ihuriro ry'igihugu riharanira gukingira intwaro rusangi-urwego rukingira intwaro rusangi*

**CNL** : Ihuriro ry'igihugu riharanira kwidegemvya

**DCE** : Ubuyobozi bw'indero muri komine

**DPE** : Ubuyobozi bw'indero mu ntara

**ECOFO** : Ishure shingiro

**FARDC** : Ingabo za Repuburika iharanira demokarasi muri Kongo

**FDLR** : Urunani rwo gukingira no kubohoza uRwanda

**M23** : Umuhari wo kuwa 23 Ntwarante

**OBR** : Ikigo kijejwe amakori mu Burundi

**OPJ** : **Inyamiramabi**

**OTB** : Ihinguriro ry'icayi mu Burundi

**RDC** : Repuburika iharanira demokarasi ya Kongo

**RN** : Ibarabara ry'igihugu

**UPRONA** : Urunani ruharanira iterambere ry'igihugu

# *URUTONDE RW'IBIRIMWO*


*0.INTANGAMARARA.........................................................................................................5*

*I. UMWIHWEZO.............................................................................................................5*

*I.1.UMWIHWEZO WA POLITIKE ..................................................................................5*

*I.2.UMWIHWEZO W'UMUTEKANO..............................................................................8*

*I.3. UMWIHWEZO W'UBUTUNZI N'INTWARO ...................................................11*

*II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE ..........................................12*

***II.1.UBURENGANZIRA KU BUZIMA*** _.................................................................................12

***II.1.1. UBWICANYI*** BUTEGUWE...............................................................................................12

II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABATARAMENYEKANA CANKE IBIZIGA VYA-TOWE.............................................................................................................12

II.1.2. UKUNYURUZWA CANKE UKUBURWA IRENGERO .........................................................13

II.2. UGUKUBAGURWA KU MUTIMA NO KU MUBIRI...............................................................14

I.2.1. UGUFATWATWA KU NGUVU..................................................................................14

II.2.2.AMABI YO MU MAZU ..........................................................................................14

III. UBURENGANZIRA KU MIGWI...........................................................................15

III.1. AMABI AKORERWA ABANA.................................................................15

IV.UGUSOZERA N'IBISABWA .................................................................15

# 0. INTANGAMARARA

Iki cegeranyo cerekana inyifato y'agateka ka zina muntu mu Burundi mu ndwi yo ku wa 06-12 Mukakaro 2026.Muri iki cegeranyo, umuhari Iteka kirihweza kandi nk' ivya politike,umutekano ,ubutunzi n'intwaro.Kiranasuzuma kandi ibintu biserura amabi abuza uburenganzira bw'abantu no muri politike vyaranze iyi ndwi.

Ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu ryabonetse kandi ryatohojwe n'umuhari Iteka ameze ugukwirikira muri kino kiringo:n'imiburuburi abantu 4 bishwe harimwo 4 batowe ibiziga n'umwe yahitanywe n'umuriro wo mw' isoko rya Ngozi,abantu 2 bakorewe amabi afatiye ku gitsina harimwo abakobwa 2 bakiri bato ku nguvu hamwe n'umuntu umwe yanyurujwe.

Ahanini abagirizwa ubwo bubisha ni abo mu ntwaro,abaporisi,abasirikare hamwe n'imbonerakure z'umugamwe uri ku butegetsi CNDD-FDD.

# I. UMWIHWEZO

## *I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE*

***UBURUNDI-UBURUSIYA:*** **Imigenderanire yagiye mungiro i Gitega, ukwitaho iterambere ry'abantu**

Umushikiranganji w'imigenderanire n'ayandi ma kungu mw'ishirahamwe ry'uBurusiya, M. Sergueï Lavrov, yaragize urugendo rw'akazi mu Burundi ku musi wa gatanu igenekerezo rya 10 Mukakaro 2026 mu Burundi.Yakiriwe ku kibuga c'indege mpuzamakungu citiriwe Melchior Ndadaye na mugenziwe M. Édouard Bizimana,umushikiranganji w'imigenderanire, uguhuza akarere hamwe n'uhufashanya mw' iterambere, uwujejwe imigenderanire mu Burusiya yahawe umubonano na Evariste Ndayishimiye, umukuru w'igihugu c'uBurundi akaba numukuru w'ubumwe bwa Afika,ku kirimba kwa Ntare Rushatsi.

## Amasezerano y'uburenganzira bw'imibano n'ubutunzi

Mw'ihoteri Kiriri Garden, umushikiranganjile Lavrov yarakoranye inama yiyaguye y'akazi ark kumwe n' abashikiranganji b'uBurundi b'ibisata nyamukuru. Ibiyago vyashitse ku gushira umukono ku masezerano menshi yo gufatanya.Kuvyerekeye agateka ka zina muntu, ayo masezerano atumbereye uburenganzira bw' ubutunzi,imibano hamwe n'imico kama vy'abanyagihugu:

⇒ *Uburimyi hamwe n'ukurwanya inzara* : Ukugwiza umwimbu mu gihugu kugira baronke imfungurwa.

⇒ *Amasoko ntanganguvu n'inyubako :* Ugutanga umuyagankuba hamwe no kwubaka amabarabara,ivya nkenerwa ku gateka k'abantu n'iterambere. c

⇒ *Amagara y'abantu :* **Ugufashanya kugira bakomeze igisata c'amagara y'abantu,nko mu kurwanya ikiza c'indwara ya** Ebola

⇒ *Indero hamwe no guhanahana ubuhinga :* Gushira imbere indero y'akanovera hamwe n'ubumenyi

⇒ *Uguhanahana ibintu n'urudandazwa:* Kworosha uruja n'uruza hamwe no gushiraho uburyo bwo gushikira ubutunzi

## Ubumwe bwa Afirika hamwe n'uburenganzira bw'imigwi muri Afirika

Mu giti ciwe nk'uwurongoye ubumwe bwa Afirika,umukuru w'igihugu Ndayishimiye yaribukije akamaro k'ubuserukizi butomoye bwa Afirika mu nama y'umutekano ya ONU. Yaranashimitse ku ntumbero "inyishu zo muri Afirika ku ngorane za Afirika",nko ku ntambamyi z'umutekano mu buseruko bwa Kongo hamwe no muri Sahel.

Uko ari impande 2 zose zarasubiye kwemeza ko imigenderanire ibwirizwa kubaho ku nyungu z' abanyagihugu b'ivyo bihugu 2 kandi mu bwigenge bw'ibihugu.

Mu birori vyo gushirako umukono, umushikiranganji Bizimana yarabafunguriye kivandimwe.

## *I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE* *(Ibikurikira urupapuro 5)*

Umushikiranganji Lavrov ku rundi ruhande yaratumiye umukuru w'igihugu Ndayishimiye guhagarararirainama igira 3 y'uBurusiya na Afirika itegekanijwe kuwa 28 n'uwa 29 Gitugutu 2026 i Moscou.

Muri make,urwo rugendo rwerekana ishaka ryo gushira imigenderanire ya poritike mu migambi itomoye. Amasezeranoyashizweko umukono akora ubwonyene ku mishinge y' iterambere ry'abantu: ugufungura, ukwivuza, ukwiga, ukwiyunguruza,ugukora.Ukuyashira mungiro nyezina hamwe no gukwirikirana ayo masezerano bizoshirwaho kugira bishobore gusuzuna akarusho kayo ku burenganzira nshingiro bw'abarundi.

### Umutambukanyi w'umukuru w'igihugu aramwereka itsinzi 2 mpuzamakungu yarose muri Amerika hamwe no muri Royaume-Uni

Umutambukanyi w'umukuru w'igihugu mu Burundi, Angéline Ndayishimiye, yarakiriwe kuri uyu w'Imana ku kirimba c'umukuru w' igihuguc c'iKiriri n'umukuru w'igihugu, Evariste Ndayishimiye.

Atahutse avuye muri États-Unis na Royaume-Uni, yeretse umukuru w'igihugu impapuro z' umutsindo 2 mpuzamakungu yahawe nk' icemezo ku bwira bwiwe bwo kubeshaho abanyagihugu neza abicishije kw' ishirahamwe riwe.

Umukuru w'igihugu yaramushimiye yongera aramutera intege kubandanya ibikorwa vyiza vyiwe mu gufasha abanyagihugu.

Ukumwakira harahimirijwe umuhari w' abakenyezi ba CNDD-FDD, Femmes Intwari, MAC Burundi hamwe n'amashirahamwe menshi adaharanira inyungu za poritike avuye mu ntara zose.

Hejuru y'icubahiro,ivyo bikorwa birafise ingaruka zibonekeza kuw'ishirwa mu ngiro ry'agateka ka zina muntu: amagara, indero, ukwigenga.

Ariko rero,ku rubuga,biragira intambamyizikomeye nk'ubukene hamwe no kubura ivyankenerwa.Kugira ntihabe ingorane kandi hakingwe kuvanga n'ubushikiranganji bw'imibano,ubuhinga bwo gutunganya hagati y'ishirahamwe Fondation na Reta burakenewe.

Gutyo,umutambukanyi w'umukuru w'igihugu ashobora kurangura amabanga yo kunyarutsa kugirango uburenganzira ku butunzi,imibano n'imico kama ku barundi bose buboneke.

### Umubonano w'umugambwe UPRONA wafuswe muri komine Cankuzo, intara ya Buhumuza.

Kuwa 10 Mukakaro 2026, hafi igihe c'isaha 12 z' umuhingamo, umushingantahe Olivier Nkurunziza yari yatunganije umubonano n'abanywanyi bamwe bamwe b'umugwi wiwe muri Kabeza Motel,iri ku mugwa mukuru w'intara ya Buhumuza,imbere yo kubandanya umugambi wiwe w'isengesho kuri paruwasi ya Muyaga. Kubwo amasoko dukura muri komine ya Cankuzo, umushingantahe Birahanyi Ferdinand,uwuserukira umugambwe UPRONA mu ntara, yarahamagawe kuri terefone na Buramatari w'intara ya Buhumuza, umupfasoni Denise Ndaruhekere,amubuza uwo mubonano yongera amutera ubwoba kohazohagarikwa abazomwitaba bose hamwe yokwanka kubahiriza ivyo amubariye.

Ivyo vyabona nyene vyigana ko Olivier Nkurunziza atakoranije ibihangange vyiwe kandi yahagaritse umugambi wo kuja i Muyinga. Kubwo abanywanyi b'uwo mugambwe nyene,ihungabana ry'ibikorwa vy'umugwi urongoye UPRONA ryarabaye i Bujumbura,ku Mugumya,kuwa 14 Ruheshi 2026,aho abanywanyi bamwe bamwe batemerewe kwinjira kw'itegeko ry' umushikiranganji w'intwaro yo hagati mi gihugu, iterambere rusangi n'umutekano w'igihugu.Abo banywanyi nyene bemeza ko ubutegetsi bw'ubu budashaka kubona Olivier Nkurunziza nk' umukuru w' umugambwe,kubera ari intambamyi mu kuvuga amabi yabo,nkuko vyabaye mu Rumonge mu matora yo muri 2025. Olivier Nkurunziza yaranashikirijwe ko baguma bamugenza aho agiye kandi yaragabishije yiyamiriza ko bashobora umugambwe UPRONA uwundi akora ku nyungu z'umugambwe uri ku butegetsi.

**Itorwa ry'abagize umugwi CECI Cankuzo, intara ya Buhumuza.**

Kuwa 8 Mukakaro 2026,musitanteri wa komine ya Cankuzo umwubahwa Nahimana Marie Rose yarakoranije abo bita " abegwa n'amatora " : abaserukira i migambwe mu makomine,amashengero hamwe n' amashirahamwe y'abigenga.Ariko ibiteye amakenga,ubutumire bwaciye kuri terefone kandi ku muntu atakumenya ico bahamagariwe.

Bashitse mu nyubakwa y'amakoraniro ya komine Cankuzo,baramenyeshejwe ko ari ugutora abagize umugwi CECI hamwe n' ukuzuza vyihuta impapuro zatanzwe na musitanteri.Itegeko:uwitavye wese yasabwa kwuzuza urwo rupapuro: abantu 2 bize kamenuza,b'ubwoko n'ibitsina bitandukanye. Ntibari bafise uburenganzira bwo kuja kubaza ababo kugira batange abo bipfuza,icabonetse nk'umukenyuro kugira baronke amazina make. Benshi ntibujuje izo fishi kuko batari babimenyeshejwe hakiri kare.Musitanteri yaratomoye ko uwutari munzu y'amanama ataco ashikiriza canke asaba.Urutonde rw'abitavye rwaragizwe kubera ico.Twomenyesha ko imigambwe CNDD-FDD, UPRONA na FRODEBU yashoboye kwitaba,ariko UPRONA ntiyashoboye kuronka uwo mu bwoko bw'aba hutu.

Parmi Mu mashengero,benshi ntibujuje ifishi.Islam yarayujuje neza.

**Iterabwoba ry'urwaruka rw' Imbonerakure riravugwa muri komine Gisuru, intara ya Buhumuza.**

Kuva muri uku kwezi kwa Mukakaro 2026, ku mutumba Gisuru na Kinama yo muri zone Gisuru hamwe n'imitumba Munyinya na Gahinga yo muri zone Rukobe, komine Gisuru, intara Buhumuza, urwaruka rw' imbonerakure z'umugambwe uri ku butegetsi rurakizura mw'ijoro rwambaye umwambaro wa gisirikare.

Ivyo bikorwa biravugwa ku mitumba Gisuru na Kinama yo muri zone Gisuru hamwe n'imitumba ya Munyinya na Gahinga yo muri Zone Rukobe.

Mugihe c'iryo kizura,urwaruka rw' imbonerakure rutanga amategeko cane cane ku badandaza yo kugara utuzu tw'ubudandarizo twabo,aho bategerezwa kwugara isaha 3 z'ijoro zigeze iyo batebeje.

Abadandaza bavuga ko badatahura iyo ngingo mugihe abatware bavuga ko umutekano wifashe neza ku butaka bwa komine Gisuru bwose.Mu rwaruka w'umugambwe CNDD-FDD, hari abitwa Thérence, arongoye urwaruka w' imbonerakure ku mutumba Gisuru, Juvenal na David bose imbonerakure zo kuri uwo mutumba nyene.

Nk'akarorero,kuwa 5 Mukakaro 2026, urwaruka rw'imbonerakure rwatangishije ihadabu ry'amahera angana na 100.000 fbu ku mudandaza yitwa Mohammed wo ku mutumba Gisuru, ku murwa mukuruw'iyahoze ari komine ya Gisuru.Uwo mudandaza yatswe ihadabu yagirizwa kurenza amasaha yo kugara akazu adandarizamwo. Uwo yahanywe avuga ko ari imvo za poritike zinyegeje inyuma kubera ari mu mugambwe CNL uyoboka Agathon RWASA.

**Ubunyonyezi bwikekwa bwinyegeje inyuma y'ibikorwa rusangi mu ntumbero z' ukunyaga muri komine ya Cankuzo, intara ya Buhumuza**

Ibikorwa vy'iterambere rusangi vyabaye ikirwanisho co gutoteza abatavuga rumwe na Reta. Kuwa 11 Mukakaro 2026, ku mutumba Humure, muri Zone

## *I.1. UMWIHWEZO WA PORITIKE* *(Ibikurikira ku rupapuro 7)*

Kigamba, komine Cankuzo, mu ntara ya Buhumuza, ubutegetsi bwaratunganije ibikorwa rusangi. Urwaruka rw'imbonerakure baca kunzu kunzu gutegeka abahaba kwitaba ivyo bikorwa.Bisa n'uko itunganywa ry'ico gikorwa vyari bifise intumero ya poritike,kubera,muri ivyo bikorwa,umushingantahe Ntiringaniza Cyprien, arongoye umugambwe CNDD-FDD muri komine Kigamba akaba n'imvukira yo kuri uwo mutumba,yaboneyeho akaryo ko gutanga ubutumwa ku banywanyi b'umugambwe uri ku butegetsi, abahimiriza kwitegurira amatora yimirije y'umukuru w'igihugu. « Twipfuza kuronka intsinzi y' 100 % mu matora yimirije », arashimika.

Abitavye ibikorwa vy'iterambere rusangi bategerezwa kwitwaza agatabu k'umuryango umukuru w' umutumba yategerezwa kushiramwo umukono wiwe. Ku musi w'Imana igenekerezo rya 12 Mukakaro 2026,urwaruka rwo muri ako karere rwarazindutse, nk'uko bari baraye babikoze, kugira bace kunzu kunzu mu ntumbero yo guhana abatitavye ibikorwa.Mu mbonerakure ziri muri ico gikorwa harimwo Dénis, azwi ke'izina rya Sénégalais, aserukira imbonerakure kuri uwo mutumba, hamwe na Sévérin na Yves,bosi bo muri ako karere.Abatitavye ibikorwa bategetswe gutanga ihadabu ringana n'amahera 10.000 Fbu. Abanyagihugu baguma basaba ko hotandukanywa biboneka ibikorwa vya poritike n'ibikorwa vy' iterambere rusangi.

## Intererano y'agahato muri komine Buhiga,intara ya Gitega

Kuva kuwa 8 Mukakaro 2026, umunyamabanga wa mbere wa CNDD-FDD ku mutumba Buhiga, Bigirindavyi J. de Dieu batazira Runyota atoza intererano ku nguvu ku badandaza bo ku mugwa mukuru wa Buhiga bavuga ko ari ukworosha imisi mikuru y'uwo mugambwe ibera kuri uwo mutumba kw'igenekerezo ritavuzwe.

Igitigiri c'amahera nticagira aho kigarukira ariko makeye ni 5000 fbu ku mudandaza wese wo kuri uwo muji.Kuwa 0 Mukakaro 2026,imbonerakure zarazungurutse n'ivyuma bikwiragiza amajwi batumira abanywanyi ba CNDD-FDD ko boza ku birori vyahariwe ukwigina umwaka mushasha kuwa 11 Mukakaro 2026 kuri zone Buhiga guhera igihe c'isaha 5. Hafi igihe c'isaha 12 zo mu gatondo,imbonerakure zo ku mutumba Buhiga zarahuriye ku kibuga kugira zitegure urugendo rw'umunezero bazokwerekana ku musi mukuru.Ntibashimitse kw'iyugara ry'isoko ivyerekanye ko amahera batororokanije kugira bakire abashitsi nk'uko babivuga bakiriko baratoza ayo yanyurujwe.Mbere n'abanywanyi bamwe b'uwo mugambwebavuga ko abarongozi b'umugambwe batoye ubuhinga bwo kwiba abanywanyi babo kandi banarahira ko batabonye haba akavunamusase.

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO*

## Ugusha kw'isoko rikuru rya Ngozi,muri komine Ngozi, intara ya Butanyerera

Mw'ijoro ryo kuwa 9 - 10 Mukakaro 2026, hafi isaha 2 z'ijoro,isoko rya Ngozi ryararaturiwe n'umuriro watanguriye ku tuzu tw'ubudandarizo tubiri turi amaja hepfo,hafi y'aho imodoka zitwara abantu zihagarara.Ubwambere,abatabaye bibaza ko bashoboye bivuye ku bushobozi buke bw'aga kamyo gatoya kandi gashaje k'abazimya,umuriro wararandagase, ushiririka 80 % y'inyubakwa z' isoko.

Kubera uwo muriro,umudandaza yitwa Ndayishimiye Jean Bernard yarahasize ubuzima kubera ihagarara ry'umutima ritewe n'ivyo yatakaje,mugihe abandi badandaza 12 bakiriwe mu bitaro bikuru vy'abagendana ubumuga bwo mu mutwe ku Mubuga,biri muri komine Ngozi.Abarongozi bo mu ntara,barikumwe n'igiporisi hamwe n'abakozi b' iperereza,barahashitse ,ariko icateye umuriro hamwe n'agaciro k'ibintu vyatokombeye bigumamwo agapfungu.Amashirahamwe akinga impanuka yamenyesheje ko abadandaza bari barashoboye kuriha ubwishingizi bw'ibidandazwa bwabo.

Kuwa 11 Mukakaro 2026,musitanteri w'i

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO (Ibikurikira urupapuro 8)*

Ngozi,ari kumwe n'abanyagihugu,barakubuye isoko.Igihe yahagendera kuwa 10 Mukakaro 2026, Victor Segasago, buramatari wa Butanyerera, yarasavye abatwaye ibidandazwa vya bagenzi babo kubibasubiza vyihuta,ahandiho hazoza igiporisi kigamije kubarondera aboba bavyivye canke base gusubiza ivyo bintu.Buramatari yaranamenyesheje ko ibikorwa vy'isoko bizosubira gutangura vuba kandi umudandaza wese azoronswa ikibanza ciwe.Abanyagihugu bari mu mwiheburokubera atamfashanyo za Reta,itabemerera n'amatohoza canke inshumbusho kubakozweko,kubwo ibivugwa n'indongozi.Umukuru w'inama nshingamateka, Gélase Ndabirabe,nawe nyene yarahishikiye,ariko amajambo yiwe atuma abagize ivyago babona ko bahebwe.Ashikiriza ko vyobazwa abo bagize ingorane batagiye hamwe kugira bagure ikbimodoka bizimya kugira bakinge impanuka nk'izo,canke kugira barihe ubwishingizi bw'ivyabo.

### Inyubakwa hamwe n'ingendeshwa vyahiye muri komine Muyinga,intara ya Buhumuza

Mw'ijoro ryo kuwa 8 -9 Mukakaro 2026, kw' ibarabara Muyinga masanganzira (RN6) ku mutumba Gasura, zone Kiremba komine Muyinga, intara ya Buhumuza, ingendeshwa itwara abantu n'ibintu yarahiye iratokombera bivuye ku muriro wadutse.Kubwo ababibonye baho,imodoka yaritwaye ibikoresho vy'ukubaka hamwe n' ibidumu 15 vy'iritiro 20 vyuzuye igitoro co mubwoko bwa essence.Amasoko yo mu ntwaro avuga ko inzu yari hafi y'ibarabara yafashwe n' umuriro uvuye kuri iyo modokari.Ayo masoko nyene aratomora ko ata muntu n'umwe yahasize ubuzima.

### Inyifato itabereye y'abaporisi bo mu ntara ya Gitega.

⇒ **Muri komine Mwaro.**

Kuwa 10 Mukakaro 2026, hafi igihe c'isaha 3 z' igitondo,harabaye akavuyo ku gituro c'amapikipiki kiri ku murwa mukuru wa komine Mwaro,mu ntara ya Gitega,ahantu hitwa :"Ku Kayuki".

Mu ntango y'ivyo,umuporisi yariko agendesha ipikipiki,yitwa Cédric, wo muri komisariya ya Mwaro yarasunitse n'ikirenge umu taxi- moto yariko agendesha imbere y'iwe bukebuke.Uwo yari atwaye umuntu kuri iyo pikipiki,umugore yari avuye kw'isoko ahetse umwana afise n'ibintu mu ntoke.Uwugendesha ipikipiki hamwe n'uwo mugore baraguye ku nkombe y'ibarabara ry'ikaburimbo rica ku mugwa mukuru wa Mwaro.Mugihe uwugendesha hamwe n'uwo yari apakiye bari bakiri hasi,umuporisi Cédric yarashatse gutwara ipikipiki ku nguvu kugira ayishikane muri komisariya y'igiporisi.Abandi baporisi 2 barahashitse kugira bafashe mugenzi wabo.Ubwo nyene aba taxi motards benshi barashitse bongera barabuza abo baporisi gufata iyo pikipiki.Vyongeye,abantu benshi baja kw'isoko iMwaro,baraje kugira banke ko ipikipiki itwarwa n'abaporisi.

Bavuze ko abo baporisi aho gucunga umutekano w'abanyagihugu,nibo nyene bawuhungabanya. Bavuze ko botegerejwe kureka uwo yagendesha ipikipiki agatwara ku kigo c'ubuvuzi Croix-Rouge vy'i Mwaro, uwo mugore yaguye hasi ahetse umwana.

Abo baporisi bishuye abantu bari bahari ko bonyene baja gutwara uwo mugore ku kigo c' ubuvuzi.Kubera urwamo rwaguma ruba rwinshi,kandi abahita bakoraniye ho,abo baporisi baruhiye kureka uwo agendesha ipikipi-ki,asubira inyuma,kugira atware uwo mugore ku kigo c' ubuvuzi Croix-Rouge Rouge.

⇒ **Muri komine Karuzi**

Kuwa 12 Mukakaro 2026,hafi igihe c'isaha 5 z' ijoro,ku mutumba na zone Buhiga, komine

## *I.2. UMWIHWEZO W'UMUTEKANO (Ibikurikira urupapuro 9)*

Karusi, ku muji wa Buhiga, intara ya Gitega, Nsabimana Nicolas batazira Sake agendesha ipikipiki, umunywanyi wa CNDD FDD, afise imyaka irenga 30 yararashwe na komiseri wa zone Buhiga amasasu 2 y'inkoho yiwe pistolet mu bunywero bwitwa BENACO BAR. Kubwo ababibonye baho,intanduruko yo kurasa n'uko uwumugendanira yatse ku nguvu terefone uwitwa Habonimana azwi ku ritazirano rya Wasafi amubwira ko ashaka kurondera terefone yiwe yibwe ariko uwo yariko asangira inzoga n'uwarashwe yarase ko akoresha terefone yiwe aca arayimwaka nawe hanyuma abo 2 barava kuri urwo ruhande.

Komiseri yaciye asimbira kuri Wasafi aca amukubita ingumu 2 yongera abirukana mu bunywero. Imbere yo gutaha,

Nicolasyarashatse kugura icupa ry'amaziariko komiseri yaramufashe ishati mw'izosi aca amunaga hasi. Arambitse hasi,komiseri yaramurashe amasasu 2 mu matako.

Munyuma baramujanye ku bitaro bikuru vy'i Buhiga ariko komiseri arikumwe n'abamugendanira 2 baramukwirikiye gushika mu cumba c'indembe bavuga ko bashaka kumusonga ariko umuganga yaraye izamu yarabankiye gushikayo mugihe uwo amugendanira nyene yariko ashira amasasu mu nkoho atera ubwoba abarwayi.Uwo muganga yarashoboye kurungika umugwayi ku bitaro bikuru vyitiriwe cinquantenaire vy'iKARUSI ako ariko aravurirwa.Kubwa Wasafi umugenzi wiwe, komiseri wa komine arikumwe n'umushikirizamanza baragiye ku bitaro vy'i KARUSI kumvo z'amatohoza kandi abamugendanira barahagaritswe bongera barapfungwa mu gasho ka komisariya ya komine.Komiseri nawe nyene munyuma yarahagaritswe na komiseri w'intara ya Gitega.

### Ubusuma bw'ibintu muri komine Gisuru mu ntara ya Buhumuza.

Kuwa 4 Mukakaro 2026,hafi igihe c'isaha 1 y'ijoro,ku mutumba Munyinya, komine Gisuru,intara Buhumuza, harabaye ubusuma kwa Mbonigaba Gervais, avuka ku mutumba Gacokwe, Zone Ndemeka, wo muri komine ya Gisuru, yari avuye mw'isoko ry'i Mabamba (muri Tanzaniya). Ashitse ku mutumba Munyinya, Gervais yaguye mu mugwi w'abantu 5bamwambuye ibintu yari afise vyose harimwo ibiro 50 vy'umuceri ; amahera 50.000fbu; 80.000 vy'amashiringi y'amatanzaniye hamwe n'ikinga ryiwe. Uwo yagize ivyago yarakubiswe n'abo basuma aca ajanwa kuryama mu bitaro bikuru vyo mu Gisuru.

Kubwo amasoko yacu dukurayo,ni imbonerakure zoba zarakoze ivyo kuko nizo zikizura mwijoro ngaho hantu. Abagizi ba nabibarahunze bahejeje gukora iryo bara.

Umukuru w'umutumba Munyinya umushingantahe NDAYIZEYE Pierre yamenyesheje ko amatohoza ariko araba kugirahamenyekane abakoze ubwo busuma.

### Ubusuma bwabaye ndase mu kumena ububiko bw'ibinyobwa mu Gisovu 1, komine Bubanza, intara ya Bujumbura

Inkuru umuhari Iteka warose kuwa Mukakaro 2026 ivuga ubuhinga bushasha bw'ubusuma bukorwa mu bubiko bw'ibinyobwa vya BRARUDI. Mu kiringo c'indwi 3,abadandaza 2 bari mu gacimbiri Gisovu 1 baribwe,abagizi ba nabi babanje gutobora uruhome ry'ububiko. Ubusuma buheruka bwakozwe ku mudandaza amakaziyo yiwe y'ibinyobwa harimwo n'ayarimwo ibinyobwavyaBRARUDI, zaribwe,zifise agaciro zose hamwe karenga 4 000 000,mw'ijoro ryo kuwa 7 Mukakaro 2026.Urwaruka rw' Imbonerakure, bakizura mw'ijoro,bateye amakenga,kandi uwiketswe umwe wenyene ubu arapfunzwe.Abadandaza barasaba gukomeza ingingo z'umutekano.

## *I.3. UMWIHWEZO W'UBUTUNZI N'INTWARO*

**Uguhungabanya imirimo izana ubutunzi muri konine Muramvya mu ntara ya Gitega.**

Kuwa 10 Mukakaro 2026, ibikorwa vyose vy'imibano n'ubutunzi vyarahungabanijwe n'urugendo rwa buramatari w'intara ya Gitega.

Mu bisanzwe,kuri uwo musi, umushingantahe Bigirimana Liboire, buramatari w'intara ya Gitega yaragendeye komine Muramvya yongera ahakorera ibikorwa rusangi.

Muri ico gihe,amazu y'ubudandarizo yose,amamangazini,amazu y'uburiro,ayo gusokoza hamwe n'isoko rikuru ry'iMuramvya vyarugawe n'imbonerakure kuva igihe c'isaha 1 yo mugitondo gushika igihe c'isaha 11 z' umugoroba.

Ku mugwa mukuru wa komine,abantu bose bategerezwa kuja ahantu hitwa

"messe de la police " Muramvya kubera ibikorwa vy'inyubako y'uruzitiro.

Kuri uwo musi,ibikorwa vyanyuma vyo kurangiza umwaka w'ishure nko kubarirwa amanota ku mashure amwe amwe vyarahagaritswe.

Buramatari yashitse isaha 6 yari yitezwe gushika igihe c'isaha2 .Inyuma y' ibikorwa,vyaheze igihe c'isaha 8,haciye haba akanama yagirishije abanyagihugu gushika igihe c'isaha11 z'umuhingamo.Abanyagihugu bo kumurwa mukuru wa komine Muramvya barashavuzwa n'inama nk'izo zihungabanya ubuzima bwabo busanzwe ari ubwo ku musi kumusi.

**Ukubura ifumbire FOMI muri komine Bururi, intara ya Burunga**

Abarimyi bo muri zone Kajondi, komine Bururi, intara Burunga, bashikiriza ibura ry'ifumbire FOMI mugihe igihe c'irima C kiriko kirahera.Batinya ko ivyo bishobora kwonona umwimbu kandi bahamagarira abarongozi kubafasha vyihuta.

Kubwo amasoko yo mu ntwaron'ayo abarimyi baho,ntibigeze baronka ifumbire FOMI muri zone muri kino gice c'irimaicatumye ububiko bwose bugaragara.

Ariko rero ifumbire ikenewe ni hafi imifuko 3 000 kugira bakwize iyo abarimyi basavye.

Abarimyi bavuga ko baheruka kuronka mu gice c'irima A co mu mwaka wa 2026.Kuva ico gihe, bemeza ko batigeze baronka,naho nyene ibiterwa vyari bikeneye ifumbire.Ibintu birateye agahinda cane ku barimyi 260 biyandikishije ngo baronke ifumbire FOMIyo mubwoko bwa Imbura, Bagara, Urée na Dolomie. Naho bakwije ibisabwa vyose,baguma barindiriye ko babaha.

« *Turacabitse udupapuro two gutora,ariko ntituzi ko umusi umwe tuzoronka ifumbire*»,bishikirizwa n'abantu b'i Kajondi.Abarimyi bafise amakenga ko uko kubura bizotuma umwimbu ugabanuka cane,n'inkurikizi ku buryo bw'imiryango hamwe n'ikigoyi mu karare.

Abarimyi basaba abarongozi hamwe n'abajejwe gutanga ifumbire FOMI gufata ingingo zihuta kugira zone Kajondi ironke.Baributsa ko ukuboneka kw'ifumbire arivyo nkenerwa kugira umwimbu ube mwiza bongere batsinde inzara.

## *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

### *II.1.1. UBWICANYI BUTEGUYE*

#### *II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABANTU BATAMENYEKANYE CANKE IBIZIGA VYATOWE*

**Ikiziga c'umusore catowe mu kinogo c'i Nyamikoma muri zone Buhoro muri komine Mugina mu ntara ya Bujumbura.**

Kuwa 9 Mukakaro 2026,ku mutumba Nyamikoma,muri zone Buhoro,muri komine Mugina, mu nara ya Bujumbura, ikiziga Olivier Nzoyihaya, w'imyaka 20 caratowe mu kinogo kiri gusa gifise ibikomere mu mutwe. Ubutumwa bugufi bwavuye ku ndongozi y' umugambwe CNDD-FDD i Buhoro bwaratanzwe mu mugwi whatsapp w'uwo mugambwe nyene ko ikiziga ca Olivier gihejeje gutorwa mu kinogo.

Kuwa 8 Mukakaro 2026,umurango wiwe wari watabaje ukoresheje ubutumwa bwo mu bwoko bw'amajwi birikumwe n'ifoto yiwe bameneshako yabuzwe irengero kandi basaba umuntu wese yomubona ko yobibamenyesha. Olivier Nzoyihaya, w'imyaka 20,ava ku mutumba Gafumbegeti,muri zone Butahana, muri komine Mugina yo mu ntara ya Bujumbura, umunyeshure wo kw'ishure ry'imyuga Kiriba iri ku murwa mukuru wa komine Mugina,mu mwaka wa kabiri mu gisata ca Informatique de Télécommunications. Nk'urundi rwaruka rwosemugihe c'uburuhuko,yari yahisemwo kurondera akazi ko gucukura inzahabu mw'ishirahamwe ricukura ubutare rikorera ibikorwa vyaryo mu kirindiro ca Nyamikoma, ku mutumba Buhoro,muri zone Buhoro yo muri komine Mugina.

Amasoko yo mugiporisi no mu bigenga bashitse aho iryo bara ryabereye amenyeshako yanizwe imbere yo gupfa.

Igiporisi cahagaritse abazamu b'ikirindiro hamwe n' abandi 2 bikekwa bakorana n'umuhisi kuri ico kirindiro nyene. Dieudonné Hategekimana azwi cane kw'itazirano rya Nyabusorongo hamwe n'uwitwa Emmanuel bakurikiranye mugutwara iryo shirahamwe barahagaritswe nabonyene.Umuryango wiwe,waciye umushingura mukurindira ibizova mu matohoza y'igiporisi ariko ntacizere ufitise mu bizova muri ayo matohoza kuko kuwa 10 Mukakaro 2026 hafi y'isaha ziiri z'ijoro,izo ndongozi 2 z'ishirahamwe zararekuwe.Isoko yo mu giporisi rishikiriza ko irekurwa arekuwe hatanzwe igiturire kingana amahera 25 000 000 y'amarundi. Iryo soko nyene rimenyesha ko ayo mahera ni ikimenyetso nsimusiga ko izo ndongnzi 2 bazi ikintu ku rupfu rwa Olivier Nzoyihaya.

Imwe mu nyishu biha ni uko uwo yashengeye yarafitaniye n'igisirikare ivyo vyatumye bamwikeka ko atanga amakuru y'igitigiri 'inzahabo zacukuwe; ivyo abanyamitahe bo mu mashirahamwe menshi badashaka.

Ni inyuma yuko hashizwe ibitigiri umucukuzi wese w'inzahabu wo muri ivyo bibanza ategerezwa abasirikare.

**Umuntu yapfuye muri komine Nyanza mu ntara Burunga**

Kuwa12 Mukakaro 2026, hafi y'isaha cumi na zibiri z'agatondo, ku nkombe z'ibarabara Mabanda–Mugina, ku mutumba Bikobe, muri zone Gitara, muri komine Nyanza,mu ntara ya Burunga, umugabo atamenyekanye yarapfuye inyuma yo kumusanga arembeye aho hantu. Ku bwo ivyabona vy'ivyabaye,umugabo yatowe n'abarengana mu gatondo ka kare,ku nkombe zy'ibarabara rihuza Mabanda na Mugina, ku mutumba wa Bikobe, muri zone Gitara ya komine Nyanza.

Ku bwo ivyo vyabona nyene,ico kiziga cari gifise ibikomere bikaze bigatuma kwibaza ko yoba yarakubiswe. Yaravuye umwuna mu zuru kandi yarafise ibimenyetso ku bikonjo,bituma kwibaza ko yoba yaraboshwe imbere yuko iryo bara rirwa. Ivyabona bimenyesha ko mu maso haboneka amaraso

menshi.

Abantu bambere bahashitse bemeza ko umugabo yaragihema igihe bamwegera.

Abahaba bahavuye bamuzanira amata,ariko yacikanye imbere yuko aronswa ubufasha.

Ikiziga cajanywe mu buruhukiro bw'ibitaro vya Rusenyi, iri muri zone Mabanda, muri komine Nyanza, aho bamushize mukurindira ibizova mu matohoza hamwe no kumenya umwidondoro wiwe.

Indongozi mu ntwaro hamwe n'abajejwe umutekeno ntibari bwagire ico bashikirije ku mvo z'urwo rupfu.Amatohoza ararindiriwe kugira hamenyekane abakoze iryo bara.

## Ikiziga catowe muri komine Rumonge mu ntara Burunga

Kuwa 09 Mukakaro 2026, ku mugoroba.ku mutumba Gatete, muri komine Rumonge, mu ntara ya Burunga, ikiziga ca Elysée Ndikumana, w'imyaka 15, catowe ku nkengera y'ikiyaga ca Tanganyika, hafi y'ikivuko c'abarovyi bo mu Busambi.

Ku bwo ivyabona vyo muri ako karere,umuhisi yasutswe n'ikiyaga inyuma yo kuribwa n'ingona igihe yariko aroga muri ico kiyaga.Hilaire Barandereka, umukuru w'umutumba Gatete asigura ko abantu kenshi baribwa n'imvubu canke ingona muri ako karere.

## Ikiziga catowe muri komine Mugina mu ntara ya Bujumbura

.Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 9 Mukakaro ivuga ko kuwa 8 Ruheshi 2026,ikiziga ca Onesphore alias « Miseke » catowe hafi y'akarere ka Marura, ku rubibe rw'ishamba rya Kibira. Umuhisi yari yanyurujwe kuwa 01 Ruheshi 2026 arikumwe n' umungwabo Kiguru mugihe bariko bafasha mugufasha gushira ivyankenerwa ibirindiro vy'abasirikare mu Burundi (FDNB).Amasoko yaho amenyesha ko indongozi mu gisirikare hamwe n'urwaruka rw'imbonerakure batanguye bategeka umuryango gutekereza, bakanuma, bababuza kuvuga ko yanyurujwe hamwe n'itorwa ry'ikiziga. Naho bababuragije,ikigandaro co mu mpisho carateguwe n'abamwegereye. Abamwishe boba ari abantu bitwaje ibirwanisho baturuka mu Rwanda,bafatwako bari mu murwi w'abarwanyi FDLR.

### *II.1.2. UKUNYURUZWA HAMWE NO KUBURWA IRENGERO*

**Intara ya Butanyerera : Umvukira y'i Bujumbura yanyurujwe irigira kabiri mu Kayanza**

Kuwa 10 Mukakaro 2026, kw'isoko rya Kayanza, muri karatiye Musave, muri zone Kayanza, muri komineKayanza, mu ntara ya Butanyerera, Joël, umugabo w'imyaka 40,serugo ava mu ku mutumba Mageyo, muri zone Butahana, muri komine Mugina,mu ntara ya Bujumbura, yanyurujwe irigira kabiri. Uwo yanyurujwe aba ku mutumba Kabere, ku murwa mukuru wa komine Mugina,aho akorera urudandazwa mu bunywero bwiwe.

Kuwa gatanu iminsi yose,Joël aja ku masoko ya Ngozi na Kayanza Kurangura inzoga za BRARUDI, impene hamwe n'ibiraya,kugira akwize ivyo abaguzi bakeneye. Abo bazinanye hamwe na bamwe mu bagenzi biwe bararondeye mu mabohero ya Kayanza na Ngozi, ikibabaje ntawe ntacavuyemwo,kandi umuryango nturashobora kumutora. Ababanyi bamuvuga nk' umuntu akundwa,w'igishika kandi yakirana neza, ntamatati namwe yarafitaniye n' abantu.Vyongeye,hariho imigenderanire n'abasirikare bari muri zone Kibira, basanzwe ari abaguzi biwe mu bunywero, kandi bamugurishako ibiraya birimwa muri ako karere nyene.

Kuwa19 Ruheshi 2026, Joël yari kw'isoko rya Ngozi ligihe abakozi b'iperereza bamunyuruza. Ariko,abo bazinanye i Ngozi banyukije kumutabaza abantu i Mugina, Cibitoke na Bujumbura, hanyuma inyuma

## *II.1.2. UKUNYURUZWA N'UKUBURWA IRENGERO (Ibikurikira urupapuro 13)*

y'amasaha,yararekuwe n'abari bamunyuruje, bamenyeha ko bari bimwitiranije n'umusuma w'amapikipiki barondera. Izo ncuru z' inyuruzwa, zabaye mu kiringo cegeranye kandi gikora ku bantu bava muri iyo komine nyene,zibutsa incuro nyinshi z'abantu abnyurujwe hamwe n'ababuzwe irengero i Mugina, aho imiryango yabo batararonka amakuru,ko boba bakriho canke bapfuye. Abajejwe iperereza i Mugina, hamwe na Musitanteri Anicet Saidi hamwe na komiseri w'igiporisi, le Lieutenant-Colonel Jean-Claude Nkunzimana, barazi ivyabaye,ariko ntaco barabivugako.

## *II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU MUBIRI NO MU VYIYUMVIRO*

### *II.2.1. UGUFATWA KU NGUVU*

**Umwigeme muto cane yashurashujwe muri komine Rumonge mu ntara ya Burunga**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 7Mukakaro 2026 imenyesha ko kuwa 3 Mukakaro 2026,ku mutmba Mutambara, muri zone Gatete, muri komine ya Rumonge, mu ntara ya Burunga, umukobwa muto yitwaC.K, w'imyaka 5 yarafashwe k nguvu n'umuntu atamenyekanye.Ku bwo abavyeyi b'uwo mwana, ku mugoroba niho babonyeko atari ho ari ariko batangura kurondera mu micungararo,niho gutyo bumv induru ituruka mu muvo,hanyuma baramutoro ariko awoba yarakoze ayo mahano yari yamaze guhunga. Uwo mwana yajanye ku bitaro vya Rumonge kugira bamukurikirane. Ikibabaje,uwakoze iryo bara atabontse.

### *II.2.2. AMABI YO MUNZU*

**Umugore yacumiswe n'umugabo wiwe ,umuhuza ava kuri karatiye Bubanza muri komine Bubanza mu ntara ya Bujumbura**

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 7 Mukakaro 2026 imenyeshako kuwa 4 Mukakaro, Eduard, umuhuza wo muri karatiye Bubanza muri komine Bubanza, mu ntara ya Bujumbura, yacumise umugore wiwe mw'ijoro hanyuma amukomeretsa kw'izosi ndetse no mu muhogo.

Kubwo ivyabona vyo muri ako karere,umugore yatwawe ku bitaro kugira bamuvure narirya yararemvye, Eduard yarahagaritswe hanyuma ajanwa mu gasho k'igiporisi.

Abanyagihugu basaba ubutungane ko uwo yakoze iryo bara yokurwa mu mabanga, ashengezwa imbere y'ubutungane hanyuma ahanwe hisunzwe amategeko, bongera ko uwo mugabo yokurwa mu bahuza kuko yakoze ibidakorwa mugushaka kwaka ubuzima umugore wiwe.

### *III.1. AMABI AKORERWA ABANA*

## Umwana yibwe afatirwa muri komine Rumonge mu ntara ya Bujumbura

Umugore avuka muri Kongo apfungiwe mu gasho k'igiporisi mu Rumonge kuva kuwa 12 Mukakaro 2026 afise umwana w'imyaka 3 atari rwiwe,ata bipapuro vy'uruhusha rw'abavyeyi. Uwo mugoreaba muri karatiye Kinama mu gisagara ca Bujumbura avuga ko yarajanye uwo mwana kwa nyina wiwe ubu aba mu kambi y'impunzi i Nyarugusu muri Tanzanie. Ku bwo amakuru y'ababibonye muRumonge,uwo mugore aracariko arabazwa imbere y'inyamiramabi . Abaharanira agateka k'abana bikeka ko ari urudandazwa rw'abantu. Umukomiseri w'igiporisi muri komine amenyeshako uwo mwana yoshobara gusubizwa kwa nyinakuru aba i Bujumbura kandi niwe azotanga umuco kubijanye n'uwo mwana

## *IV. UGUSOZERA N'IBISABWA*

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza kudahana abakoze amabi.Uhamagarira abatwara Uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibi bikurikira:

### *Kuri Reta y'Uburundi:*

1. Gushiraho ubuhinga bwo kurikanura bukabije ku barongozi kugirango hakingwe amabi aboneka hamwe n'ubunyonyezi bw'amahera mu banyagihugu.

2. Gukora amatohoza y'ubutungane ku mugaragaro intambwe kuyindi iyo hatowe ikiziga;

3. Guha uburenganzira imiryango yabuze bwo kwitura ubutungane hamwe no kuronswa ivyegeranyo vy'igipimo kiraba icatumye uwabo apfa,imbere yo gushingura uwabo;

4. ata ingingo zo kurandurana n'imizi ukudahana amabi yo gufata ku nguvu no guhana abakora amabi y'ihonyanga ry'agateka ka zina muntu kugira bishure akabi bakoze.

Uwo uri wese ubahirizwa